# 237: Twebg' abami batatu

1. Twebg' abami batatu
Tuje tuzany' ishikanwa;
I wacu ni kure cane,
Turonder' Umwami.

Ref: Ego, Inyenyeri ya Ycsu
Ni yo yaturongoye,
Twayibonye kw ‘ijuru
Ni yo yadushikany'ino.

2. Turazany' imibavu
Hamwe n' izahabu zacu.
Yesu ni we mwiza rwose,
Ni we Mwami wacu.

3. Uwo Mwami yitwa Yesu,
Yavukiy'i Betelehemu,
Tuzanywe no kumusenga,
N' Umwana w' Imana.

4. None raba Yes' Umwami,
Yazanywe no kudukiza,
Turirimbe Haleluya,
Yaj' Umutabazi.

Visit us at burundi.indirimbo.com